**IBANKI YA REPUBURIKA**
**Y'UBURUNDI**

# ITANGAZO

I. Ibanki ya Repuburika y'Uburundi iramenyesha ko hibonekeza ikoreshwa ry'amafaranga mvamakungu mu Burundi, mubijanye n'amasezerano hamwe n'irihwa ry'ibidandazwa canke akazi, riteye kubiri n'itegeko ry'Ibanki ya Repuburika y'Uburundi rigenga ikoreshwa ry'amafaranga mvamakungu mu Burundi. Iyo ngendo iciye kubiri n'amategeko yerekeye cane cane amasezerano yo gukotesha inzu, amasezerano ajanye n'ibikorwa, irihwa ry'amafaranga y'ishuri n'iry'ibidandazwa. Abakoresha ayo mafaranga mvamakungu muri ubwo buryo butemewe bariha mu ntoke canke bakayacisha ku makonti ya bene ibidandazwa canke y'ababakoreye akazi baba mu Burundi.

Ku bw'ivyo, Ibanki ya Repuburika y'Uburundi isubiye kwibutsa Abarundi n'abanyamahanga baba mu Burundi ibi bikurikira:

- Ifaranga ryemewe n'amategeko gukoreshwa mu gihugu c'Uburundi ni ifaranga ry'Uburundi gusa (BIF) ;

- Ibikorwa hamwe n'amasezerano vyerekeye amafaranga, bibera mu Burundi, bijanye n'ibintu biri mu gihugu canke akazi gakorerwa mu Burundi, bishirwa mu ngiro mu mafaranga y'Amarundi ;

- Amashirahamwe yo gutwara abantu n'ibintu mu ndege, ibigo vy'ingezi, amashirahamwe mpuzamakungu yo kwunguruza abantu n'ibintu, ibivuko, ikibuga c'indege, abajejwe imbibe n'abanyamahanga hamwe n'ikigo c'igihugu kijejwe gutoza amakori n'amatagisi, barashobora kurihisha no kurihwa ibikorwa vyabo mu mafaranga mvamakungu, ku banyamahanga bataba mu Burundi. Ariko rero, birabujijwe kurihisha mu mafaranga mvamakungu ababa mu Burundi ;

- Ingurane canke ingwati zitangwa mu mafaranga mvamakungu zirabujijwe ku Barundi n'abanyamahanga baba mu Burundi, kiretse hatanzwe uruhusha rw'Ibanki ya Repuburika y'Uburundi. Naho nyene, izo ngurane zitegerezwa kuba zigenewe kuriha ibidandazwa biva hanze y'igihugu;

- Uburenganzira ababa mu Burundi bafise bwo kwuguruza amakonte mu mafaranga mvamakungu ntibubarekurira kugiriranira amasezerano, n'ababa mu gihugu, yo kuriha ibintu biri mu gihugu canke akazi gakorewe mu Burundi, mu mafaranga mvamakungu.

II. Ibanki ya Repuburika y'Uburundi iribukije abantu bose batubahiriza izo ngingo ko bazohanwa hisunzwe amabwirizwa n'amategeko y'Uburundi.

III. Ibanki ya Repuburika y'Uburundi iboneyeho akaryo ko gutanga umuco ku ngingo ya 18, ku gace ka 3, y'itegeko rigenga ikoreshwa ry'amafaranga mvamakungu mu Burundi, kavuga ko bidakenewe gusaba uruhusha ku ***rudandazwa rukorerwa ku mbibe z'Uburundi.***

"***Urudandazwa rukorerwa ku mbibe z'Uburundi" ni*** urudandazwa rw'umubano mwiza rukorwa n'abanyagihugu begereye imbibe z'Uburundi, rwerekeye ibidandazwa bifise agaciro kari munsi y'amadolari y'Abanyamerika ibihumbi bitatu (3.000 USD), ku miti n'ibifungurwa, n'ibihumbi bitanu (5.000 USD) ku bindi bidandazwa, imbere yuko bipakirwa iyo biva.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 10 mukakaro 2021

**Jean CIZA**

**Umuyobozi w'Ibanki**
**ya Repuburika y'Uburundi**

BANQUE de la REPUBLIQUE du BURUNDI BRB Gouverneur